# Ewe mwene Adamu! Mu vy'ukuri wewe, igihe cose uzonsaba ukanyizera, Nzokugumiriza akabanga ku vyaha vyawe, maze ndabikubabarireko uko bizoba bingana kwose ata na kimwe Ninona

Mu vyakiriwe na Anasi mwene Maliki (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati: "Narumvise Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti: "Imana Allah Nyenimigisha na Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yavuze Iti: "Ewe mwene Adamu! Mu vy'ukuri wewe, igihe cose uzonsaba ukanyizera, Nzokugumiriza akabanga ku vyaha vyawe, maze ndabikubabarireko uko bizoba bingana kwose ata na kimwe Ninona. Ewe mwene Adamu! Mu gihe ivyaha vyawe vyogwirirana bikagera mw'ijuru, hanyuma ukabinsabako ikigongwe, Nokugumirije akabanga ku vyaha vyawe, maze Nkabikubabarirako ata na kimwe Ninona. Ewe mwene Adamu! Mu vy'ukuri wewe, mu gihe woza iwanje ufise ibicumuro vyuzuye isi, hanyuma ugahura nanje mu nyuma yo gupfa utigeze umbangikanya na kimwe mu biremwa, ni ukuri uzonsanga Ndakuzaniye ikigongwe cuzuye isi".

[حسن] [رواه الترمذي]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaratwiganiye ko Imana Allah Nyenimigisha na Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yavuze mu nyigisho ntagatifu Iti: Ewe mwene Adamu! igihe cose uzoba ukinsaba wizeye kuronka impuhwe zanje, udacika ivutu ngo udebukirwe; Nzokugumiriza akabanga ku vyaha vyawe maze ndabihanagure ata na kimwe Ninona, n'aho nya vyaha vyoba ari mu vyaha rutura. Ewe mwene Adamu! Mu gihe ivyaha vyawe vyoba vyinshi ku buryo vyokwuzura hagati y'ijuru n'isi, maze bikangana n'ibiremwa biri hagati yavyo, bisaga impande zavyo zose, hanyuma ukabinsabirako ikigongwe, Nobiguhanaguriye Nkabikubabarirako vyose ata na kimwe Ninona ku bwinshi bwavyo. Ewe mwene Adamu! Mu vy'ukuri, wewe mu gihe worenguka iwanje umaze gupfa, maze ukaza ufise ivyaha n'ibicumuro vyuzuye isi, ukaba wapfuye wemera Imana Imwe Rudende Allah, utigeze umbangikanya na kimwe mu biremwa, ni uko ivyo vyaha n'ibicumuro vyawe vyohura n'ikigongwe canje cuzuye isi, maze Nkabikubabarirako; kuko ikigongwe canje gikwiye hose, Nkaba Mbabarira ivyaha vyose kiretse gusa icaha c'ibangikanyamana.